Iciza, ni umuntu kurangwa n'imigenzo myiza; nayo igicumuro na co, ni kirya cose gitera amazinda mu gikiriza cawe, ukanka n'uko abantu bomenya ko wagikoze

Mu vyakiriwe na Al-Nawwaasi mwene Sim'aani (Imana Allah Imwishimire) ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Iciza, ni umuntu kurangwa n'imigenzo myiza; nayo igicumuro na co, ni kirya cose gitera amazinda mu gikiriza cawe, ukanka n'uko abantu bomenya ko wagikoze". No mu vyakiriwe na Waabiswa mwene Ma'badi (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Naraje ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ica imbwira iti: "Uje kubaza ku vyerekeye iciza n'ikibi, ivyo ari vyo?", nca mvuga nti: "Egome, ni co kinzanye!". Ica ivuga iti: "Enda nyabuna baza umutima wawe, burya iciza, ni kirya kintu cose umuntu atekanirwa iyo agikoze, maze akumva iteka n'itekane ku mushaha; nayo igicumuro, ni kirya kintu cose kiguteye amazinda mu kugikora, maze ukagumana akarigangamuhogo ku mushaha n'aho abantu bokubwira ngo kirarekuwe, bakongera bagasubira bakakubwira bati kirarekuwe"".

[صحيح] [الحديث الأول: رواه مسلم، والحديث الثاني: رواه أحمد والدارمي]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ku vyerekeye ukumenya iciza n'ikibi ati: Igihambaye mu biranga iciza, ni umuntu kurangwa n'imigenzo myiza ku Mana Allah, imigenzo ibonekera mw'igamburukiramana, hamwe rero no kurangwa n'imigenzo myiza ku bantu, imigenzo ibonekera mu kwihanganira ibangamira ryabo, gushavura gake kabaho, gushwashwanuka mu maso, kuyaga amajambo meza, kwunga ubuvandimwe, kwumvira Imana Allah, kurangwa n'impuhwe n'ubugwaneza, kubana neza n'abandi, n'uko iciza ari kirya mu kugikora, umuntu atekanirwa ku mutima. Nayo igicumuro, ni kirya kintu cose wumva gihehera mu mushaha mu bintu biteye amazinda, maze kikaguma kikuryohereza kugikora ariko umutima ukakwankira, ukagumana amakenga n'ubwoba butewe n'ukwiyumvamwo ko kugikora ari igicumuro, ukanka n'ukukigaragariza abantu kuko giteye isoni ku bantu bisoneye, b'intungane, ivyo bigaterwa n'uko muri kamere k'umuntu, akunda kugaragariza abantu ivyiza akora; iyo rero bishitse ko yanka bimwe mu vyo akora ko bigaragara, maze abantu bakabimenya, ico gikorwa kiba ari igicumuro, nta n'iciza namba kiba kirimwo; n'aho abantu bokubwira ingingo yuko ico kiguteye amazinda kirekuwe, ntugaheze ngo ubumvire mu vyo bavuga, igihe wamaze kwiyumvamwo ko nya kintu kiguteye amazinda kiguma gihehera mu mushaha; kuko burya ingingo ushikirijwe ntikumara amazinda ugifiseko mu gihe nya mazinda koko aba ari ay'ukuri, uwugushikirije nya ngingo na we akaba ata bumenyi yisunze; nayo mu gihe iyo ngingo washikirijwe yoba ishingiye ku cemezo c'ukuri, muri ico gihe biba ngombwa ko ugaruka ukisunga nya ngingo n'aho itogushimisha ku mushaha wawe.

